REPUBLIQUE DU BURUNDI

REPUBLIKA Y'UBURUNDI

Parti CNDD-FDD
Conseil National pour la Défense de la Démocratie - Forces pour la Défense de la Démocratie.

Umugambwe CNDD-FDD
Inama y'abanyagihugu baharanira Demokarasi.

ITANGAZO RY'UMUGAMBWE CNDD- FDD UHARANIRA IYUBAHIRIZWA RY'AMATEGEKO KU BIJANYE N'UMUGAMBI W''ISHINGWA RY'INAMA Y'IGIHUGU IJEJWE IYUBAHIRIZWA RY'AMASEZERANO Y'I ARUSHA BE N'INTWARO IGENDERA KU MATEGEKO MU BURUNDI.

Umugambwe CNDD-FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko, imigambwe itavuga rumwe n'ubutegetsi hamwe n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike, yishize hamwe mu kugwanya ikiringo ca 3 ca Petero NKURUNZIZA yaratanguje, kuwa 15 Mukakaro 2015, umugambi wo gushinga inama y'igihugu yishinze kwubahiriza amasezerano y'i ARUSHA n'intwaro igendera ku mategeko mu BURUNDI. Kuri ivyo, umugambwe CNDD-FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko ushikirije abarundi n'amakungu ibi bikurikira:

1. Umugambwe CNDD-FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko ubandanya kudatirigana ku karangamutima kawo no ku ntumbero wiyemeje nk'ishigwaho ry'ubutegetsi bugendera ku mategeko aho umwe wese ategerezwa kuronka ikibanza ciwe bisigura kurandurana n'imizi ikumirwa iryariryo ryose ry'abanyagihugu mw'itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.

2. Urababajwe no kubona Uburundi buriko buraca mu makuba ya poritike, imibano n'ubutunzi biturutse ku butegetsi bubi hamwe n'umutekano muke urangwa mu gihugu cose.

3. Umugambwe CNDD FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko urarajwe ishinga n'igisharara ca Petero NKURUNZIZA co kwigumiza ku butegetsi ahonyanze ibwirizwa nshingiro ku mugaragaro, amasezerano y'i Arusha y'amahoro no gusubiza hamwe mu burundi hamwe n'ayandi mategeko ngenderwako y'umuryango wa politike wamushikanye kw'isonga ry'igihugu.

4. Twihweje ingendo n'agaciro vya demokarasi umugambwe CNDD FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko ushingiyeko, uremeje ko ushigikiye ico ciyumviro kandi wiyemeje ku mugaragaro gukorana ubwira, ufatanye munda n'izindi ncuti za poritike hamwe n'abari mu mashirahamwe adaharanira

inyungu z'ubutegetsi gushika habonetse umuti udaciye mu ngimba ku ngorane ziri mugihugu, hamwe no gukomeza amahoro, umutekano kuri bose gushika habonetse ubutegetsi bugendera ku mategeko mu Burundi.

5. Umugambwe CNDD FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko usavye amakungu gufasha bimwe biboneka mu kugarukira ku mpunzi zasanzaye mu bihugu duhana imbibe kuva habaye izi ntureka za poritike hamwe no kwegeranya amahera nubundi buryo vyo kugarukira ku gitigiri c'abomowe mu gihugu kidasiba kwiyongera.

6. Umugambwe CNDD FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko ufashe kano kanya kugira uhoze imiryango yabuze abayo ukwongera ugashimira imisore n'inkumi b'abarundi kubikorwa vy'iteka berekanye mu guharanira ubutungane n'ubuntu mukiringo c'imyiyerekano.

7. Umugambwe CNDD FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko usubiye gukengurukira incuti n'abakunzi b'Uburundi ku ntererano zabo mu kurondera umuti urama ku ngorane zugarije igihugu mu bijanye n'ukurondera amahoro, umutekano no gushinga ubutegetsi bugendera kumategeko mu Burundi.

8. Uwo mubonano ushobora kuzobera muri Afrika, na cane cane i Adis-Abeba, ahari icicaro gikuru c'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika canke i Pretoria twisunze akamaro uwo mugwa mukuru wamaze mu gihe c'ibiganiro vyo guhagarika intambara hagati y'impande zari zishamiranye mu Burundi.

Bigiriwe i Bujumbura, kuwa 18 Mukakaro 2015

Umukuru w'umugambwe CNDD FDD uharanira iyubahirizwa ry'amategeko.

Hon. **Hussein Radjabu**